www.assemblee.bi
www.flickr.com/inamanshingamateka

Facebook: Inama nshingamateka
twetter:@nshingamateka

N° 14 - Mukakaro 2017

INAMA NSHINGAMATEKA Y'UBURUNDI

INAMA NSHINGAMATEKA

Gisohoka rimwe mu kwezi

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifadikanije n'abanyeshure bari mu buruhuko mu bikorwa vy'iterambere barimwo.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahaye umubonano Umuhuza w'abarundi. 12-13

Soma kurupapuro rwa 12-13

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakurikiranye igikorane catunganijwe na MAC.

Soma kurupapuro rwa 8

Ibibazo vyunganirwa vyabajijwe abashikiranganji bane bari baserukiye Leta.

Soma kurupapuro rwa 13

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020



**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**



**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**



**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD

# ABASHINGAMATEKA B' IKIRINGO CA 2015 - 2020

1


Hon. Ildephonse TURIMUMUGABO
Muyinga -Hutu-CNDD-FDD


Hon. Spéciose CIMPAYE
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Angèle CIZA
Kirundo- Tutsi- Mizero y'Abarundi


Hon. Claver COYITUNGIYE
Karusi - Hutu-Mizero y'Abarundi


Hon. Fleurette DUKUNDANE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Léocadie GAFURERO
Bubanza-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Séraphine GAKOBWA
Makamba - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Odette HABONIMANA
Rumonge - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Léopold HAKIZIMANA
Kayanza - Hutu-Mizero Y'Abarundi


Hon. Pascal HAKIZIMANA
Muyinga-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Godeberthe HATUNGIMANA
Rutana - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Vénant HATUNGIMANA
Kayanza-Hutu CNDD-FDD


Hon. Ferdinand HAVYARIMANA
Gitega - Tutsi-Mizero y'Abarundi


Hon. Juvénal HAVYARIMANA
Bubanza-Hutu CNDD-FDD


Hon. Mireille INABIGENDERA
Karusi - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Caritas IRAKOZE
Makamba - Tutsi CNDD-FDD


Hon. Lydia IRAKOZE
Mairie- Tutsi C[illegible]


Hon. Joséphine IRAMBONA
Karusi - Hutu CNDD-FDD


Hon. Georges KABANGO
Karusi - Hutu CNDD-FDD


Hon. Ange Denise KAMERE
Muyinga-Hutu CNDD-FDD


Hon. Denis KARERA
Gitega-HUTU CNDD-FDD


Hon. Amédée RUCARAGI
Gitega-HUTU- CNDD-FDD


Hon. Uziel KUBWIMANA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD


Hon. J. Claude KWIZERA
Mwaro -Tutsi- Mizero y'Abarundi


Hon. Pamphile MALAYIKA
Muyinga- Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Pascasie MANIRAKIZA
Ngozi-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Térence MANIRAMBONA
Gitega - Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Sauda MBONEKO
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Noé MBONIGABA
Ruyigi-Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. François MBONIHANKUYE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Adolphe MBONIMPA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Gilbert MBONINYIBUKA
Makamba-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Amedée MISAGO
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD



Hon. François MPITABAVUMA
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Xavière MUHIMPUNDU
Karusi - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Jean Bosco MUHUNGU
Rutana - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Léonidas MUKESHIMANA
Rumonge-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Euphrasie MUTEZINKA
Kirundo-Tutsi
Mizero y'Abarundi



Hon. Lazare MVUYEKURE
Gitega-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Persille MWIDOGO
Ngozi-Tutsi
CNDD-FDD



Hon. Claude NAHAYO
Ngozi-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Immaculée NAHAYO
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Gélase NDABIRABE
Kayanza-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Zénon NDARUVUKANYE
Bujumbura - HUTU
CNDD-FDD



Hon. Canesius NDAYIMANISHA
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Juvenal NDAYIRAGIJE
Rutana - Hutu
CNDD-FDD



Hon. Bernard NDAYISENGA
Mairie - Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Emmanuel NDAYISHIMIYE
Bururi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. André NDAYIZAMBA
Bururi-Tutsi
UPRONA



Hon. Gloriose NDAYIZEYE
Gitega- Hutu
CNDD-FDD


Hon. Angele NDIHOKUBWAYO
Bururi - Tutsi
CNDD-FDD


Hon. P.Célestin NDIKUMANA
Bujumbura-Hutu-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Gilbert NDUWAYO
Makamba-Hutu
CNDD-FDD


Hon. Dévote NDUWIMANA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Déogratias NDUWIMANA
Ngozi - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Rénovat NDUWUMWAMI
Makamba - Hutu-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Anglebert NGENDABANKA
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Egide NGERAGEZE
Ruyigi - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Ladislas NINDEREYE
Muramvya - Tutsi- Mizero y'Abarundi


Hon. Gloriose NIMENYA
Rumonge-Tutsi
UPRONA


Hon. Godelieve NININAHAZWE
Mwaro - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Felix NIRAGIRA
Ngozi- Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Justin NIYOBUHUNGIRO
Cibitoke - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Justine NIYONGABO
Cankuzo - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Lewis NIYONGABO
Mairie - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Gloriose NIYONSENGA
Kirundo - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Constantin NIYONZIMA
Ngozi - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Salvator NIYUKURI
Rutana-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Emmanuel NKUNZIMANA
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Claude NKUNZIMANA
Ruyigi- Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Olive NKUNZIMANA
Ngozi -Tutsi- Mizero y'Abarundi


Hon. Georges NSHIMIRIMANA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD


Hon. M. Chantal NSHIMIRIMANA
Ngozi- Twa


Hon. M. Jeanne NTAGAHORAHO
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Apolinaire NTAHIMPERA
Muramvya- Hutu-CNDD-FDD



Hon. Adolphe NTAHONDEREYE
Mairie - Twa



Hon. Aloys NTAKIRUTIMANA
Cibitoke-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Obed NTAKIYIRUTA
Rumonge - Hutu-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Emmanuel NTEZUKOBAGIRA
Bururi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ruth NTIBASHAKWA
Cibitoke - Hutu-NDD-FDD



Hon. Zaïnabu NZEYIMANA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Gaudence NTIRANDEKURA
Mwaro - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Gabriel NTISEZERANA
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Adrien NYANDWI
Kayanza - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Claire NYANDWI
Makamba - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Nestor NZEYIMANA
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Séraphine NZEYIMANA
Rumonge - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Révérien NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD



Hon. J. Baptiste NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Consolate NZIGAMISONI
Cibitoke - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi



Hon. Benigne RURAHINDA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD



Hon. James SAMAGORWA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Eric SINDAYIGAYA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Sylvestre SINDAYIHEBURA
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. J. Pierre SINZINKAYO
Bujumbura-Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Vincent SUKUNOBA
Gitega - Twa



Hon. Anicet TUYAGA
Mwaro - hutu-CNDD-FDD



Hon. Ibrahim UWIZEYE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Léocadie YAMUREMYE
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Hilaire NTAHOMVUKIYE
Kayanza - Tutsi CNDD-FDD

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifadikanije n'abanyeshure bari mu buruhuko mu bikorwa vy'iterambere barimwo.

Mu gihe c'uburuhuko, igihugu cose kiratunganya ibikorwa vyo mu buruhuko ku banyeshure.Muri ivyo bikorwa, abanyeshure barakora ibikorwa bitandukanye vy'iterambere bakongera bakaharonkera n'inyigisho zerekeye gukunda igihugu. Ivyo bikorwa bikaba bishigikirwa na Leta y'Uburundi aho abategetsi batandukanye baja barishikira mu ntara zitandukanye kugirango bashigikire abo banyeshure.
Ni muri iyo ntumbero rero ku musi wa kabiri igenekerezo rya 25 Mukakaro 2017, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yagendeye abanyeshure bari muri ivyo bikorwa bo mu ntara ya Bubanza, muma komine ya Gihanga na Mpanda.

I Gihanga, abanyeshure bakaba bariko barataba ikibanza c'ahagiye kwubakwa ibibuga vy'inkino z'amaboko za volleyball na basketball. Mw'ijambo ry'ikaze, Musitanteri wa komine Gihanga Léopold NDAYISABA, yarashimiye Umukuru w'Inama Nshingamateka ku kungene yama aza kubashigikira mu bikorwa vy'iterambere rusangi, ati no mu mwaka uheze komine ya Gihanga ikaba yararonkejwe agashimwe nk'ikomine yabaye iya mbere mu gutunganya neza ibikorwa vy'abanyeshure mu buruhuko.

Yarongeye amenyesha ko komine Gihanga yihaye intumbero yo guteza imbere inkino na cane cane ko umurwi w'abo w'urukino rwa volleyball wabaye uwa mbere mu ntara ukaba ariwo uyiserukira ubu. Ati bisaba ko ikibuga bimenyererezako a giteguye neza. Yarongeye ko abanyeshure bamaze kwitaba ivyo bikorwa uyu mwaka bababa 1100 agahamagarira abagikwega amaguru ko boza kwifadikanya na bagenzi babo muri ivyo bikorwa.

Nayo Bulamatari w'intara ya Bubanza Tharcisse Niyongabo, yamenyeshejeko muri ivyo bikorwa vyo mu buruhuko abo banyeshure bahabwa n'inyigisho zerekeye gukunda igihugu, gutsimbataza amahoro n'umutekano, kugendera imico myiza yamye iranga abarundi, intwaro rusangi hamwe n'irondoka rijanye n'amagara meza.
Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yarashimiye abo banyeshure bamaze gutegera ko uburuhuko atari igihe co kwiryamira ahubwo ari igihe co guhindura ibikorwa. Ati n'akaryo ku banyeshure ko ko guterera mw'iterambere ry'igihugu biciye mu bikorwa vy'iterambere rusangi niko guhamagarira abandi banyeshure bataritaba ivyo bikorwa ko boza kwifadikanya na bagenzi babo.

Ny akwubahwa Pascal NYABENDA yarongeye ko ivyo bikorwa vy'abanyeshure mu buruhuko ari akaryo ku banyeshure bava hamwe ko guhura bakayaga. Akaba yaciye atera intege abajejwe intwaro ngaho i Gihanga bihaye intumbero yo guteza imbere inkino aca abasaba ko n'ikibuga c'umupira w'amaguru kiri ngaho nyene ku mugwa mukuru wa komine Gihanga bogisubiramwo.

Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yarahaye impanuro abo banyeshure zerekeye cane cane gukunda igihugu. Ybabwiye ko ata

kindi gihugu na kimwe citwa Uburundi kw'isi ati rero n'ukukibungabunga. Yabibukije ko bakiri bato bageze mu myaka abansi bakunda gufatirako mu kubayovya ati ni murabe imbere kazoza kanyu keza, abasaba kandi ko boja baragendera imico myiza n'imigenzo vyamye biranga abarundi kuva na kera na rindi.

Ikindi nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yahamagariye abo banyeshure ni ugukunda kwiga bakagira amashure maremare kugira baze bahiganwe n'abandi bo mu karere mu vyerekeye kuronka akazi. Yarabibukije ko hari ubutare bw'agaciro kanini buheruka gutorwa mu Burundi i Gakara muri komine Mutambu ati muzominuze mu vyerekeye ubuhinga bwo gucukura ubutare kugira ngo muzofashe mu gikorwa co gucukura ubutare bw'igihugu canyu, na nyaririya ubu abahinga b'abanyamahanga aribo bariko barakora ico gikorwa. Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba kandi yarasavye abo banyeshure gushinga amashirahamwe yabo kugira baje baraja hamwe baganira ku vyerekeye ivyigwa vyabo, akaba yabasavye ko abaronse amanota menshi arenga ibice 70 kw'ijana muri ca kibazo ca Leta gitanga uburenganzira bwo kuja muri kaminuza ko boja barabimenyesha abajejwe intwaro kugira ngo babafashe kurondera amakaminuza bokwigako yo mu bihugu biteye imbere. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yaciye aha abo banyeshure akabahasha kugira baje kwivuna akanyota inyuma y'ivyo bikorwa.

Avuye ngaho i Gihanga, Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaciye agenda muri komine Mpanda aho naho nyene yasanze abanyeshure bari ku kivi bariko bakora amatuta yo guteramwo ibiti mu ntumbero yo gukingira ibidukikije.

Ibiti 60.000 bikaba arivyo bigiye guterwa muri iyo komine.Musitanteri wa komine Mpanda akaba yamenyesheje ko iruhande yo gutegura amatuta, abo banyeshure bariko kandi barakora ibikorwa vyo kubumba amatafari hamwe no kuropora umusenyi n'amabuye vyo kwubaka amashure. Naho nyene, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yarabahaye impanuro zihagaze cane cane ku gukunda igihugu, kwitaho ivyigwa hamwe no gushinga amashirahamwe yabo. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yarabemereye ko azobashigikira muri ivyo bikorwa aca agenda abahaye n'akabahasha kugira ngo baje kwivuna akanyota inyuma y'ivyo bikorwa.

**Arlette AKIMANA**

## Umukuru w'Inama Nshingamateka yarazimanye abahuza bo mu bihugu bitandukanye vya Afrika bari mu rugendo mu Burundi.

Ku musi wa gatatu igenekerezo rya 5 Mukakaro 2017, Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahaye inzimano abahuza bo mu bihugu bitandukanye vya Afrika hamwe n'abo bari bagendanye bari baje mu Burundi kwitaba inama mpuzmakungu yerekeye kubumbatira amahoro hamwe n'uruhara rw'abahuza mu gukinga no gutorera umuti indyane. Iyo nama

ikaba yari yateguwe n'Umuhuza w'Abarundi Nyakwubahwa Edouard NDUWIMANA.

Abo bahuza bakiriwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba ari Umupfasoni arongoye ishirahamwe ry'abahuza bo mu bihugu vya Afrika akaba n'Umuhuza wo mu gihugu ca Ethiopie, abahuza b'ibihugu vya Tchad, Soudan, Afrika y'epfo, Congo Brazzaville, na Republika ya Centrafrika. Abandi bakaba bari bakirindiriwe . Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yarahaye ikaze mu Burundi abo bashitsi b'iteka, abasaba ko batotaha batagiye no hagati mu gihugu kugira birabire ko amahoro n'umutekano bisasagaye birabire n'ingene abarundi babayeho.

Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yarashimiye urwego rw'Umuhuza rwateguye iyo nama akaba yaciye ashimea imigenderanire myiza hagati y'urwo rwego hamwe n'Inama Nshingamateka y'Uburundi. Ati iyo nama ibaye mu gihe amahoro n'umutekano bisasagaye mu Burundi ati aba bashitsi b'iteka bagendeye Uburundi vyerekana imigenderanire myiza Uburundi bufitaniye n'ibindi bihugu vya Afrika.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yaronyeye ko kubona urwego rw'Umuhuza rutegura iyo nama vyerekana ishaka urwo rwego rufise mu gutsimbataza amahoro no gukinga indyane. Ati urwego rw'Umuhuza nirwo rwego rufasha abenegihugu mu gutorera inyishu ku ndyane ziba zadutse, bidaciye mu ngimba. Akaba yaciye yipfuriza urwego rw'Umuhuza ko ibikorwa rukora vyofafasha koko mu kunywanisha abarundi, akaba yaciye asaba amashirahamwe y'abahuza hamwe n'abahuza bo muri Afrika gushigikira urwego rw'Umuhuza mu Burundi kuko ari urwego rukimaze igihe gito.

**Arlette AKIMANA**

# UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARAKOREYE IBIKORWA RUSANGI MURI KOMINE MPANDA

Abatowe n'abenegihugubategerezwa kwifadikanya n'abenegihugu babatoye mu bikorwa bitandukanye; ni muri iyontumbero umukuru w'Inama Nshingamateka arikumwe n'abatowe mu ntarayaBubanzabasanzekukiviabene gihugubo muri iyontara muri komineyaMpandabakifadikanya mu bikorwabijanye no gusigaisimamumasomero y'ishureritoryaCatwarizohinduka mu misiirimbereishurenshingiro. MusitanteriwakomineMpandayame nyeshejekoyarashimiyeabatowe mu ntarayaBubanzakuntereranoidasanz wehabamubijanye n'uburyo n'ibindibafashaabenegihugub'iBub anza. musitanteriwakoùineMpandayaras hikirijeingorane y'ubukenebw'amazimeza muri iyokomineagasabakoababaserukira bobafashakuyabaronsaayomazi.

NyakwubahwaUmukuruw'InamaNs hingamatekamw'ijamboyashikirije ,yarashimiyeabenegihuguboku Mpa ndakukugenebatahuyeiciza n'akamarok'ibikorwarusangikukoin yubakwarusanginyishizaramazekw ubakwabiciye muri ivyobikorwarusangi.

Kuriyompamvuyaciyeahamagariraa bakurub'imitumba ko bokwitahogutunganyaibikorwaru sangibatarinzekurindira ko bagenderwana bakurubatandukanye.

Nyakwubahwa ,Umukuruw'InamaNshingamatek ayavuzekukibazokijanye n'umutekanoahoyasavyeabenegi hugukwzmabaratangainkurukuba bijejweumwanyauwariwowose na cane cane mu gihebabonyeibibateraamakengaa tikukoumutekanoniyonkingi y'iterambere. Yaranebaguyeabantubakiriinyum abashakagusubizaabarundimw'ih umbibatishimiyeamahoro n'umutekanotwaronsebigoranye

mu gihugucose.
Yarongeyeatigushikubuhariabantub
atarashirahasiimigambimibiyokugir
a nabi
ubutegetsinubuntibarashirahasi
, aca
agarukakubashatsegutembagazaub
utegetsimuwaka w'2015
nububagifise ako gatimakabi ko
gusubizaigihugu mu
manga.Umukuruw'InamaNshingam
atekayameshejekoumutekanontiw
erekereurwamorw'amagrenade
n'amasaseatiariko n'ibijanye no
guharika ,ibijanye no
kunywainzogazitemewe
n'amategekohatibagiwe
n'inzaranavyonyenebiratezaumute
kanomuke mu miryangondetse no
mu kibano.

Muri urworukrikiraneNyene,
Nyakwubahwa Umukuru w'Inama
Nshingamateka yarashimikiye cane
kubijanye n'uguharika kuko kenshi
bituma habaho ingorane

z'amatongo ubwicanyi buvuye
kunzankano zurukwegeranye
mubavukana badasangiye
abavyeyibose.Akabayasavyeabene
gihugubo muri komineMpanda ko
bokwandikishaubugenibwaboimbe
re y'amategekokubatarandikwa
,kugiangobikingireibikorwabihuma
nyevyandurukakuguharika.
Nayokubijanye no
kurwanyakunywainzogazitemewen'
amategeko
,NyakwubahwaUmukuruw'InamaN
shingamatekayamenyeshejekoarip
olitike
y'igihuguyogukingiraamagara
y'abenegihugu.
Abanywaizonzogazitemewe
n'amategekontac baba bagifasha
mu
rugontibababcitwzararikaivyoingoz
abobiyumviragusakunywaizonzoga
kuva mu
gitondogushikamw'ijorougasangau
muntu n'ubwenge bwaragiye
ntakimenya gutandukanya icatsi

n'ururo. Ivyonavyorero bituma
ubukenebwaduka mu
muryangokubera ko
umukenyeziakoraariwenyene mu
rugo
gutyoreroingoranezikadukaarinavy
obicabizanaumutekanomuke.

NyakwubahwaUmukuruw'InamaNs
hingamatekayaragarutsekubijanye
n'umusimukuruw'amakomineuhim
bazwakumusiwagatandatuwamber
eutanguraukwezikw'umunaniukou
mwakautashe.
Yamenyeshejekouyomusimukuruw'
amakomine
n'umwanyamwizakubavukakomine
ko kuvuganakubijianye
n'imigambibashizeimbereyogutezai
mbereikomineyabo,
bakagenzuraivyaranguwe
,ibitaranguweingoranrbahuyenazok
ugirangobakosore
,bongerebaphundikeiyindimigambi.
Akaba
yahamagariyeabenegihugubosekwi
teguriranezauyomusimukuru na
cane cane ko
uhuzaabanyekominebahuriyekugik
orwakimwe.

Nyakwubahwa Umukuru w'Inama
Nshingamateka yaratanze umuco
kumwitwarariko w'abenegihugu
ujanye no kuburaamazi.
Yamenyeshejekoicokibazoakizi aca
abamenyeshakobotenyenya ko
icokibazo
c'amazimezakigiyegutoraumutivub
abidatevyebiciye mu
mugambiuhariwogukwiragizaamazi
mezauriko ;urakorwa mu
ntarayaBubanza.

Inyumayivyobikorwavyose
,NyakwubahwaUmukuruw'InamaN
shimgamatekayaratanzeimfashany
okubenegihugubantahonikorabage
rakumajanaabiriimfashanyo
y'imfungurwaigizwe n'umuceri
n'ibiharage.

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakoranije imvukira zo mu ntara ya Muramvya

Guhasha guhingura, kudandaza no kwihereza ibinyobwa bitemewe n'amategeko ngo vyari bikwiye kungengwa n'ibwirizwa ryihariye nka kurya vyagenze mugututuza amabi afatiye ku gitsina. Iyo ntererano yatanzwe n'abenegihugu bo mu ntara ya Muramvya muri rwa rukurikirane rw'isekeza ryatanguwe n'Umukuru w'igihugu, mu ntumbero yo kurwanya igiturire n'urudandazwa rwo mu binywabi. Umukuru w'Inama Nshingamatekarero yarakoranije imvukira z'intara ya Muramvya ku munsi wa gatanu, igenekerezo rya 28 Mukakaro 2017 mu nyubakwa z'Ishule ryisumbuye ry'i Muramvya.

Musitanteri wa komine ya Muramvya, mw'ijambo ry'ikaze, yarashimishijwe n'ibikorwa vy'abanyeshule bari mu buruhuko bimaze indwi zibiri bitanguye. Dieudonné NSABIMANA yashikirije kandi ko baharonkera inyigisho zo gukunda igihugu.

Ku ruhande rwiwe, Buramatari w'intara ya Muramvya yarakeje abajejwe umutekano batujije abasuma biba mu mirima. Emmanuel NIYUNGEKO yasiguye ko abo basuma baturuka rimwe na rimwe mu zindi ntara nka Kayanza. Yabandanije avuga ko abandi bahungabanya umutekano ari abagizi ba nabi bama baturira ikibira mu kwezi kwa Myandagaro. Biza vyarabaye nk'umugenzo kuko ngo haciye imyaka itatu ubwo bubisha buza burisubiriza. Naho biri uko, yarashimishijwe n'ingingo ya Leta ijanye no gufata mu mugongo amakomine. Ati n'ivyamwa biriko biribonekeza. Yatanze akarorero k'amashule ariko arubakwa.

Umukuru w'Inama Nshingamateka wewe, mw'ijambo ryiwe, yamenyesheje ko azi Muramvya nk'intara itekanye, kanatsinda ngo n'imigumuko yo mu 2015 ntiyayihungabanije.

Mu gushikiriza intumbero y'urugendo rwiwe, Umukuru w'Inama Nshingamateka yabanje kwerekana ingene umwenegihugu ariwe shingiro vy'ibikorerwa mu gihugu. Asigura ingene Inama Nshingamateka itunganijwe, yaratumiriye abenegihugu guterera ivyiyumviro mu gihe integuro y'ibwirizwa iba iriko irahinyanyurwa mu migwi yamaho ; aca atanga akarorero k'integuro y'ibwirizwa rihasha ubworozi bw'inka ziyerereza ku mitumba. Ati mu gihe nayo ibwirizwa ryamaze guterwako igikumu ariko hakibonekeza ingingo zimwe zimwe zihushanye n'inyungu z'abenegihugu, nta kibuza ko rigaruka mu Naa Nshingamateka bakaritosora. Yaratumiriye kandi abakuru b'imitumba kwishikira mu Nama Nshingamateka bakibonera ingene abo barungitse ngo babaserukire barangura imirimo.

Vyongeye, Umukuru w'Inama Nshingamateka yarashimangiye ko inyigisho zo gukunda igihugu atari uguta umwanya. Ati gukunda igihugu bijanye no gutsimbataza amahoro. Umwenegihugu yujuje izo ngingo zibiri, aca yihatira guteza imbere igihugu.

Yabandanije amenyesha ko mu gihe ibikorwa vy'iterambere rusangi vyagirizwa kwegamira umugambwe

runaka, ubu biramaze kugaragaza akamaro kavyo. Ati amashule, amabarabara n'amavuriro bikoreshwa n'abenegihugu bose, hatavanguwe amoko. Bisubiye, ngo nta mwenegihugu abushitse yohurumbira urudandazwa rwo mu binywabi. Vyongeye, igiturire gitegerezwa kurwanywa n'umwenegihugu wese aho aherereye.

Mu mugwi w'ibitosekaza umutekano, ibinyobwa bitemewe n'amategeko vyafashwe nka uburozi. Kubera ivyo, Igitabu mpanavyaha kirabihasha. Yamara, ku rundi ruhande, hari itegeko ry'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Igihugu rihanisha amande mwene izo nzoga. Mu gihe bizwi ko abarongozi bo hasi bafisemwo umutahe muri ivyo binyobwa, hagize uwufatwa agacibwa amande, bagenziwe basangiye imirimo baca biyungunganya bakamurihira ayo mafaranga. Ikindi naco, ayo mabwirizwa abiri aravuguruzanya, ari naco gituma hasabwa ibwirizwa ryihariye nka kurya vyagenze muguhasha amabi afatiye ku bitsina.

Abitabiriye iyo nama baragarutse ku bakenyezi basohotse, yamara bakaza gutorana iyo bavuka. Bati ikibabaje cane, ni uko baca bagurisha ubwo nyene ico gisate c'itongo. Yamara, Umukuru w'Inama Nshingamateka yarameneye inda ku rukumu, ati nta bwirizwa rigenga gutorana ribaho mu Burundi.

Ku Bakuru b'imitumba bitogera agashirukabute baronka ko ari intica ntikize, bakanagabisha ko ivyo bituma ingeso yo kurya ibiturire yiyongera, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yabibukije ko atari abakozi ba Leta. Ati mbere n'ako gashirukabute bava mu mwumvikano w'amakomine bivuye ku kugene ubutunzi bwayo bungana, ari nako gituma ubwo bushirukabute butangana hose. Ariko kandi, aratangazwa n'ababanza kugurisha ikimasa cabo kugira bagure amajwi, mu gihe abenegihugu basanzwe batora Umukuru w'umutumba kubera bamwiyumvamwo. Mu mpera n'imperuka, yabahanuye kwitura Inama ya komine.

Inyuma y'umuhingamo wo kuri uyo munsi wa gatanu nyene, Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragendeye ibitaro bikuru vy'i Muramvya, aho uwobiramutswa, Muganga Oscar NTIHABOSE yamushikanye ku kibanza c'isananirizo c'ivyo bitaro. Ngo himirijwe kwubakwa inyubakwa y'amagorofa abiri.

Nyakubahwa Pascal NYABENDA yari yagendanye ishishiro, ayerekeza ku barwayi ba Ntahonikora 100. Umwe wese rero yaronse agakemanyi kagizwe n'umwambaro umwe w'igitenge, ibiro bitanu vy'ibiharage n'ibiro bitanu vy'umuceri.

Yaciye arangurira kw'ihinguriro ry'ifu y'ingano, MINOLACS mu ncamake yo mu rurimi rw'igifaransa.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragenzuye iryo shitrahamwe rihingura amatoni 150 ku munsi.

Mu kiganiro yahaye abamenyeshamakuru, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaragaragaje akamaro MINOLACS ifitiye igihugu. Naho iryo shirahamwe rihingura ingano ziva hanze, Umukuru w'Inama Nshingamateka abona ko ivyo bitera impungwe ahubwo abarimyi b'ingamo bo mu gihugu. Ikindi naco, iryo shirahamwe ngo rirasahiriza ubutunzi bw'igihugu mu gihe ridandaza mu mafaranga y'amarundi. Ari nka hamwe igihugu coronka amashirahamwe mka ayo abiri canke atatu, Umukuru w'Inama Nshingamateka yizera ko Uburundi bwoca burandurana n'imizi ya ngorane yo gukena amafaranga y'agaciro.

**Christine NAHIMANA**

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakoze ibikorwa rusangi muri komine ya Bukeye.

Kuringaniza ikibuga c'imbere y'inyubakwa y'igorofa izokoreramwo ibiro vya komine ya Bukeye, ivyo ni vyo vyari intumbero y'ibikorwa vy'iterambere rusangi vyo ku munsi wa sgatandatu, igenekerezo rya 29 Mukakaro 2017. Vyatewe iteka n'Umukuru w'Inama Bshingamayeka, ivyo bikorwa vyitabiriwe ku bwinshi n'urwaruka ; ubona ko basigaye babarizwa ku kivi muri wa mugambi wo gukoresha abanyeshule bari mu buruhuko. Mw'ijambo ry'ikaze, Musitanteri wa komine ya Bukeye yarashimye ko umutekano ari wose, kandi ngo n'abenegihugu barafatanye mu nda

mu butandukane bwabo.
Iyi nyubakwa nshasha ugaragaza rya hangiro rivuga ko iterambere riva ku mwenegihugu rikongera rikamusubirako, nk'uko yavyishimiye Buramatari w'intara ya Muramvya. Emmanuel NIYUNGEKO yasiguye kandi ko iyo nyubakwa y'amagorofa abiri ari icamwa ca ya mfashanyo Leta ironsa kira ùwaka amakomine.

Umukuru w'Inama Nshingamatekayashimangiye ico ciyumviro ca Musitanteri wa Bukeye mu kugaragaza ko ahimbawe n'ukubpna inyubakwa nka iyo yubatswe n'abenegihugu, ata kuboko ku muzungu kugiyemwo. Ati si kera cane, aho mwene iyo nyubakwa yahagarara habanje gusohoka amakete menshi. Yamara ubu, ngo abenegihugu baramaze kujijuka, baratahura akamaro k'ibikorwa vy'iterambere rusangi, naho hari abavyagiriza, ata n'ivyemezo bafise, ko vyega umugambwe umwe.
Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarakeje ivyo umwihariko abenegihugu bo mu Bukeye bagumye batekanye mu kiringo c'imigumuko yo mu 2015, mu gihe bizwi ko hari abategetsi baturuka muri iyo komine bari bataye umurongo. Mbere ngo baritabiriye ku bwinshi amatora yo mu 2015.

Yerekeza ku rwaruka, Umukuru w'Inama Nshingamateka yabasiguriye akamaro k'ibikorwa vy'iterambere rusangi. Ati ni ingabire y'Imana kuronka igihugu c'amavukiro. Ati mu buhungiro niho wicuza igihugu c'amavukiro, utanguye kwagirizwa amabi yose ashikira igihugu kigucumbikiye. Nyakubahwa Pascal NYABENDA nawe nyene yabaye impunzi, yashinze intahe avuga ko ata nkeka ko abahunze mu 2017 bakumbuye igihugu cabibarutse.

Kubw'Umukuru w'Inama Nshingamateka, naho twikuyeko intwaro y'igikoroni mukuronka intahe y'ukwikukira, haraheze imyaka 55, abatoba bo ntibabuze. Muri kino gihe, bitwaje agateka ka zina muntu n'intwaro ya demokarasi, abazungu basigaye bifatira mu gahanga igihugu c'Uburundi. Niyo nzira abazungu basigaye barubuye kugira bakandamize ibihugu bikiri mu nzira y'amajambere.
Ivyashikiye Kadhafi muri Libye, niko karorero ko gufatirako mubijanye no kwubahiriza agateka ka zina muntu ?Ibisasu birigwa baratera muri Siriya niko kubahiriza agateka ka zina muntu ? Ivyo ni ibibazo yibajije imbere yuko ahishura ko na Sentare Mpuzamakungu Mpanavyaha yashinzwe kugira ikandamize Abanyafirka, Abazungu biraramiye. Abo bazungu nyene barigumuye, barahagarika imfashanyo ku Burundi. Yamara, vyabaye nk'inkebuzo ku Barundi kugira bikazanure. Muri kino gihe, ikigo OBR nico gikusanya uburyo bwose Leta yinjiza. Mbere n'abakozi ba Leta ubu bahembwa hakiri kare kuruta uko vyahora. Ati ego niko, ni ibakwe ko gihugu kugwiza abafasha, ati ariko Uburundi ntibukeneye abafasha babahadikiriza ku migenzo itajanye n'imico y'igihugu, nko guhuza ibitsina mubisangiye.

Abordant le thème de la fraude, il a insisté sur les pierres précieuses et le café. Ceux qui exploitent et exportent clandestinement les richesses du pays sont assimilés aux fauteurs de troubles. L'unité est le pilier du développement, a t-il martelé. Il est malheureux de voir une autorité d'hier devenue aujourd'hui réfugiés s'est-il apitoyé en ajoutant que ceux qui se sont exilés aux Rwanda sont assimilés aux prisonniers. Et de lancer un appel vibrant à tous les exilés de retourner au bercail. Ils les a aussi conseillé à ne pas prêter oreille à

ceux qui les déstabilisent en leur arguant d'attendre l'issue des négociations alors qu'elles sont déjà terminées. Seulement a-t-il nuancé il reste l'opérationnalisation d'un rapport définitif qui va inclure et le dialogue inter burundais et les négociations d'Arusha. Ce rapport servira alors de feuille de route pour les élections de 2020.

Le Président de la Chambre Basse du Parlement a également démontré que même la constitution est issue d'Arusha certaines dispositions étant devenues obsolètes, c'est l'affaire des Burundais de retoucher la constitution pourquoi les pays occidentaux s'en mêle, s'est- il interrogé. Le Numéro Deux Burundais a également recommandé l'usage à bon escient de la récolte. Il leur a aussi exhorté de cultiver tout au long de l'année en usant la technique d'irrigation. Inutile de prendre des congés en matière agricole alors que le ventre réclame toujours à manger, a-t-il expliqué en conseillant aussi la diversification des métiers. Après les Tavaux communautaires le Président de l'Assemblée Nationale s'est dirigé au stade de Bukeye pour distribuer une aide alimentaire aux riverains de la foret de la Kibira. Mais avant cet œuvre charitable, il leur a prodigué des conseils allant dans le sens de protéger cette ressource naturelle, étant donné que, au mois d'août chaque année la foret de la Kibira est brulée. Il leur a exhorté alors de surveiller tout malfaiteur et à les dénoncer.

**Christine NAHIMANA**

*Ivyaranguwe n'Icegera ca mbere*

# Icegera ca mbere c'umukuru w'Inama Nshingamateka yaritavye ibirori vyo kwatira abapatiri muri paruwasi ya Gisozi.

Kuri uyu wa gatandatu igenekerezo rya 15 Mukakaro 2017,ibirori vyo kwatira abapatiri 13, abasomyi 10,abakorezi 11 hamwe n'abadiyakoni 11 bo muri paroisse ya Gisozi vyari vyatewe iteka n'icegera ca kabiri c'umukuru w'inama nshingamateka akaba ariwe yari yaserukiye leta muri ivyo birori. Ivyo birori vyatangujwe n'urugendo rwabihebeye imana barongowe na musenyeri wa diyoseze ya Gitega simoni NTAMWANA.

Mu nsiguro yuwo munsi musenyeri Simoni NTAMWANA yasavye abo bagiye kwatirwa kuzokwerekan ishusho ya yezu muri ekleziya.Musenyeri wa diyoseze ya Gitega yaciye atangura kwatira abasomyi 11 bahabwa bibiriya ko bagiye kuvuga ubutumwa bwiza, abakorezi bahabwa umukate n'umuvinyu kuko bagiye kubitanga, abadiyakoni n' abasaserdoti nabo babarambikako ibiganza bakambikwa ikimenyetso citwa stola na bibiliya eka n'abasaserdoti barabarambikako ibiganza. Hamwe n'abapatiri bari ngaho bagaheza bakabavugirako igisabisho.Bahejeje baca babagororera ama stola yabo bagaheza bakabambika umwambaro w'abasaseredoti maze bagasigwa amavuta hanyuma bagahabwa n'ububasha bwo gutanga isakaramentu ry'ikigongwe.

Mw'ijambo ryiwe icegera ca mbere c'umukuru w'inama nshingamateka umushingamateka RWASA Agathon yarakeje abo bose bari bahejeje kwatirwa yongera arakeza n'imiryango yabo abandanya amenyesha ko leta ikenguruka ibikorwa ekleziya yagize mu buzima bw'igihugu na cane cane mu nyigisho z'amashure ati ekleziya ifise uruhara ntangere mu buzima bw'igihugu.Yabandanije asaba ekleziya kubandanya ibikorwa vy'iterambere mu kubaka amavuriro amashule n'ibindi… Mu gusozera ijambo ryiwe Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yasavye abakirisu kuba mu rukundo, kuvuga ukuri no kwama bakurikiza ubutungane yarangije ashikiriza musenyeri mukuru akaganuke yari yategekenije.

**J Baptiste Claude NIJIMBERE**

# Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamteka yarahuye n'abarongoye abandi bo muri komine ya Nyabihanga

Kuri uyu wa gatanu igenekerezo rya 14 Mukakaro 2017, Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka umushingamateka RWASA Agathon yarifandikanije n'abenegihugu bo ku musozi wa Murama komine Nyabihanga intara ya Mwaro mu bikorwa vy'iterambere rusangi. Yari yaherekejwe n'abashingamateka batowe mu ntara ya Mwaro eka n'abandi batowe ahandi.Ivyo bikorwa vyari ivyo kuvanga isima na beto yo gusaza mu birasi vy'ishule shingiro ya Murama
Inyuma yivyo bikorwa, mw'ijambo ryiwe Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yahamagariye abenegihugu bo kuri uwo mutumba kwama babumbatiye amahoro n'umutekano m'ubutandukane bwabo kandi bime amatwi bagateranya.Avuye bgaho yaciye agenda kubonana n'abaserukira abandi mu ntwaro bo muri komine ya Nyabihanga.Bakaba baraganiye kubijanye n'ubuzima bwa komine yabo mu bice bitandukanye.
Yaba musitanteri wa komine canke umuhanuzi mukuru wa Bulamatari bose bamenyesheje ko amahoro n'umutekano birangwa mu ntara ya Mwaro ko abengihugu bari ku kivi kandi bitwararitse ibikorwa vy'iterambere. Baramenyesheje ko abari mu migambwe itandukanye babanye neza. Baramenyesheje ko iyo ntara ibuze abarimu ko kandi badafise ibikoresho vyo kwubaka.Mw'ijambo ryiwe Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yasavye izo ndongozi kubera akarorero keza abenegihugu. Yasavye abavyeyi kwitwararika gose indero y'abana kugira baze baririnda inda zibitwarire bakiri mu mashure kugira bazokwitegurire kazoza.Abari bitavye ico kiganiro nabo nyene barashikirije ibibazo bitari bike aho basavye icegera ca mbere c'umukuru w'inama nshingamateka kubafasha gushiraho amahinguriro yobafasha gutunganya amata kuko ubu umwimbu wabaye mwinshi. Yarishuye ko agiye gushikiriza ivyo bamtuye vyose abo vyega mugabo kuri ico kibazo kijanye n'amahinguriro y'amata, nyakubahwa icegera ca mbere c'umukuru w'inama nshingamateka yabasavye kwibumbira hamwe mu mashirahamwe kugira bazoshobore gukorera hamwe.

**J Baptiste Claude NIJIMBERE**

*Ivyaranguwe n'Icegera ca Kabiri*

# Ibikorwa bitandukanye vyaranguwe n'icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka mu ntara ya Ruyigi

Gutunganya ibarabara ryo ku mutumba wa Migege zone Rusengo mu guharuracivyatsi vyarimezemwo , nivyo vyari vyakoranije abanyeshure bo muri iyo zone, ikomine n'intara ya Ruyigi ; bari mu buruhuko kw'igenekerezo rya 28 Mukakaro 2017. Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka ari kumwe n'abashingamateka n'abakenguzamateka batowe muri iyo ntara , barifadikanije n'abo banyeshure muri ivyo bikorwa vy'iterambere rusangi .
Umuhanuzi mukuru wa buramatari ; mw'ijambo ryiwe ryo kwakira abashitsi,yabanje gukengurukira abo banyeshure bitavye ako kamo.NKUNZIMANA Valéry yavuze ko urwaruka ari burundi bw'ubu n'ubwo muri kazoza. Urwaruka rurafise inguvu mu kurangura ibikorwa ngirakamaro ku gihugu no muri kazoza. Yaciye abahamagarira gukunda igihugu cabibarutse, ati nta munyamahanga azoza akunda Uburundi gusumvya imvukira. Igihugu nico catwibarutse nico gituma dutegerezwa kugikunda.

Mw'ijambo yashikirije , icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yavuze ko igihugu

kizoba ico twebwe beneco twifuza ko kiba. Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yaronkeyeho n'akanya ko gushimira ishirahamwe ryubatse iryo barabara rihuza zone rusengo ya komine Ruyigi na zone Bwagiriza ya komine Butezi. Ibikorwa vyo kugirira isuku iryo barabara , ati ni igikorwa kiraba uwo ari we wese aricamwo. Iceger ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yashimiye urwo rwaruka rwitabiriye akamo k'ababatwara mu kuza ku bwinshi muri ivyo bikorwa.

Ntiyibagiye no guhanura abigeme n'abahungu kwirinda ubushurashuzi. Abigeme yabahamagariye kwirinda inda zibitwarire kuko bica bihagarika amashure yabo. Abahungu nabo yabasavye kwubahiriza bashiki babo. Ati Uburundi ntibwaguka ariko igitigiri c'abavukagihugu co kiguma ciyongera ku munsi ku munsi. Nico gituma yabahamagariye kwitaho ivyigwa gushika aho baronka urupapuro rw'umutsindo rwisununuye kuko ari itongo udaterwako n'abandi ; aho ugeze hose ndetse no mu mahanga rwokubeshaho.
Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba kandi yarahanuye abo banyeshure ko bafasha abavyeyi kurima mu myonga muri ubu buruhuko bukuru. Yabasavye kandi kwirinda akaborerwe n'inzoga zitemewe n'amategeko ndetse no kunywa itabi ati kuko vyonona kazoza kanyu. Yaheraheje abamenyesha ko igihe cose urwo rwaruka ruzomukenera mu guhanahana ivyiyumviro kuri iki canke kiriya, azobitaba. Ba nyakwubahwa abashingamateka bari kumwe nawe nabo bararonse akanya ko guhanura urwo rwaruka ; ko bokwitaho ivyigwa gushika bazoronke ama doctorats, gukora ibikorwa vy'iterambere rusangi n'umutima ubikunze. Ntibibagiye kandi no kubahanura ngo bakunde inkino zitandukanye kugira bazoze bararonka udushimwe igihe baronse ikibanza ciza mu mahiganwa bazogira. Ibikorwa vyo kuri uwo munsi yabiheraheje aja gusuhuza abarwayi bo mu bitaro vya Rusengo abashiriye agakemanyi kagizwe n'umuceri, n'ibikwembe, n'amata y'amazi ahinguye. Ivyo bitaro bikaba bikukira eclesia gatolika. Uwujejwe akarere k'ubuvuzi ko mu Ruyigi akaba yabanje gukengurukira ingene yabiyunviriyeko yongera asaba Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka ko yobadodorera ahashoboka hose kugira baronswe abakozi bakwiye kandi bahembwa na leta .
Imbere yo kuja kwifatanya n'urwo rwaruka Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yabanje kwifadikanya n'abenegihugu bo muri komine Ruyigi bariko baregeranya bisigarira vy'amabuye vyari ku kibuga c'inkino ca kijambere citwa Rumuri co muri iyo ntara. Nkuko bitegekanijwe ico kibuga kizoronswa umusezero wa kijambere ; bakaba bafise umugambi wo kwubakaho ingazi kugira abazoza kuraba inkino zitandukanye bazoronke aho bicara.

**Pétronie BUCUMI**

# Guhinyanyura no Kwemeza integuro y'itegeko ijanye no gufashanya inumero D181-BI hagati y'igihugu c'Uburundi n'ishirahamwe mpuzamakungu ry'iterambere (IDA) kubijanye n'umugambi wakarere kw'iterambere mu burimyi washizweho mu biyaga binini(PRDAIGL) ryateweko igikumu i Bujumbura kw'itariki 14 Ruhenshi 2017.

Imiliyoni 75 z'amafaranga y'abanyamerika zingana n'imiliyaridi 128.955 z'amafaranga y'amarundi niyo mafaranga y'uburyo yahawe leta y'uburundi atanzwe n'ibanki y'isi yosekugira harangugwe umugambi wo mu karere w'iterambere muvy'uburimyi mu karere k'ibiyaga binini, nkuko umushikiranganji w'uburimyi n'ubworozi yabishikirije mu gusigura imvo n'imvano aho yongeyeko iyo mfashanyo ari ingabire itazokwishurwa ko izokoreshwa ijana kw'ijana ata

mahera leta irinze gusabwa.

Muganga Déo Guide RUREMA yabisiguye mu nama ya bose yo kuwa 20 Mukakaro 2017 yari yateguriwe Guhinyanyura no Kwemeza integuro y'itegeko ijanye nimfashanyo inumero D181-BI hagati y'igihugu c'Uburundi n'ishirahamwe mpuzamakungu ry'iterambere (IDA) kubijanye n'umugambi wakarere kw'iterambere mu burimyi washizweho mu biyaga binini(PRDAIGL) ryateweko igikumu i Bujumbura kw'itariki 14 Ruhenshi 2017 ; iyo nteguro y'itegeko ikaba yatowe na bose.

Intumbero nyamukuru y'uwo mugambi nkuko vyashikirijwe nuwo yari yaje aserukira leta niyo kugwiza umwimbu, n'akanovera k'umuceri, ibigori hamwe n'amata mu karere mu kugwiza umwimbu no mu guteza imbere akanovera mu guhingura hamwe no kugwiza ubutunzi bw'imiryango mu gushiraho ivyiburwa bifise agaciro.

Intara zitanu zegwa n'uwo mugambi nazo ni izi Bubanza, Bujumbura, Cibitoke, Makamba na Rumonge, umurwi ujejwe ivy'indero, urwaruka, inkino n'ilico kama no kumenyesha amakuru wari wahawe iryo tegeko warabajije nimba uwo mugambi uzoshika mu ma komine n'imitumba yose bigize izo ntara uwo mugambi uzorangurirwamo. Umushikiranganji Déo Guide RUREMA yamenyesheje ko uwo mugambi uzorangurirwa mu ma komine 11 yo mu kiyaya ca Rusizi hamwe no k'unkengera z'ikiyaga Tanganyika. Yaciye adondagura ayo ma komine nayo akaba ari aya :

- Rugombo na Buganda mu ntara ya Cibitoke
- Gihanga,Mpanda, na Rugazi mu ntara ya Bubanza
- Mutimbuzi na Kabezi mu ntara ya Bujumbura
- Muhuta , Bugarama na Rumonge mu ntara ya Rumonge
- Nyanza-Lac mu ntara ya Makamba

Le projet couvrira les 11 communes de la plaine de la Rusiszi et le long du Lac Tanganyika, a rétorqué le Docteur Déo-Guide RUREMA qui a aussi détaillé : Rugombo et Buganda en province Cibitoke ; Gihanga, Mpanda et Rugazi en province Bubanza ; Mutimbuzi et Kabezi en province Bujumbura ; Muhuta, Bugarama, Rumonge en province Rumonge ; Nyanza-Lac en province Makamba.

Yaramenyeshe inkingi zine zigizwe nuwo mugambi :

- Guteza imbere umwimbu w'abarimyi bato bato (imiliyoni 38,62 z'amadorari) ;
- Gushigikira gushira imitahe mu gisata c'uburimyi n'imfungurwa hamwe nugushiraho ubufatane n'amasoko (imiliyoni 23,74 y'amadorari) ;
- Gushigikira inzego ; kuronsa no gukwiragiza ubumenyi (ku rugero rwa karere imiliyoni 10,37 z'amadorari)
- Gutunganya umugambi no gushikgikira inzego (imiliyoni 7,0 z'amadorari), umurwi wasanze bateranije amafarnga yari ategekanijwe ku kigabane icarico cose amahera ashika ku miliyoni 79,73 z'amadorari y'abanyameika nayo uwo mugambi wose wari wagenewe imiliyoni 75 z'amadorari y'abanyamerika niko kubaza iyo imiliyoni 4,73 z'amadorari zirengako iyo zizova. Kubw'umushikiranganji ayo mahera arengako azova mu ntererano zabo bazoba bararonse iyo mfashanyo (mu gutanga umukozi,ku ntererano z'abanyamitahe bazoba baje gushinga amashirahamwe yo guhingura ;abagenewe uwo mugambi bakazoba bashika ku bihumbi 55 babarimyi bato bato hakazoba harimwo ibice 35 kw'ijana vy'abafasoni.

**J Baptiste Claude NIJIMBERE**

# Ibibazo vyunganirwa vyashikirijwe umushikiranganji w'amagara y'abantu.

Abantu bashika 80.255 nibo basanze basanze bagendana umugera wa SIDA muri bo 51.917 nibo bari ku miti yo gupfupfahaza. Ivyo nivyashikirijwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya ikiza ruhonyanganda SIDA. Aho hari kw'igenekerezo rya 26 mukakaro 2017 aho muganga Josiane NIJIMBERE w'amagara y'abantu yariko arishura ku bibazo vya banyakwubahwa abashingamateka akavuga ko banezerezwa n'intambwe bagezeko mukurwanya ico kiza SIDA. Ati n'ibiharuro biravyerekana :

Muri 2003 abantu bipimishije umugera wa SIDA ni 50.303 ku bantu 1.595.628 mu mpera za 2016. Muri 2003 ibigo vyo kwipimishirizako vyari 151 ku 1.236 vyo mu mpera ya 2016. Ibigo vyo gukinga ko umuvyeyi yanduza umwana yibungenze PTME mu mpfunyapfunyo y'igifaransa muri 2006 vyari 27 ku 1018 mu mpera ya 2016. Abakenyezi bari muri uwo mugambi PTME muri 2006 vyari 145 muri 2016 naho vyari 4.515. Ibigo navyo bitanga imiti yo gupfupfahaza vyari 36 mu mwaka wa 2005 nayo muri 2016 bizoba vyari 472. Muri 2002 abaza gutora iyo miti nabo bakaba bari 600 ; muri 2016 naho vyari 51.917. Uwaje aserukira Leta akaba yavuze ko yizeye neza ko umugambi leta yiyemeje uvuga ko gushika muri 2030 ko ata muntu numwe azoba acandura umugera wa SIDA ata nkeka ko bazowushikako. Kanatsinda igihugu caratanguye umugambi wiswe 909090 uzogera muri 2020. Uyo mugambi nawo ukaba asigura ko abantu ibice 90% bazoba bazi ingene ibipimo vyabo vyifashe, 90% bakurikira nabo bakazoba bari ku miti ipfupfahaza ARV, 90% nayo

tandis que 90 % des séropositifs sous ARV auront une charge virale indéctable.

Tukiri muvyo kurwanya ikiza SIDA muganga Josiane NIJIMBERE yavuze ko hariho imigwi y'abantu izokorerwako gusumvya abandi ; nabo ni abakiri bato, abafungwa, anywa ibiyayuramutwe , abagore bagendana n'abagabo benshi hamwe n'abayabaga( mineurs). Abakenyezi biungenze nabo bakazohimirizwa kwipimisha umugera wa SIDA hakiri kare. Amavuriro nayo atandukanye akaba asabwa kuza barahimiza uwariwe wese aza kuri iryo vuriro kwipimisha.

Nayo kubavuga ko hako bandura indwara y'igisukari, ivumbuka ry'umurindi w'amaraso ; bopfuma bandura umugera wa SIDA ; muganga NIJIMBERE Josiane ntatahura ivyo bemeje. Ati SIDA ni indwara idakira itararonka umuti canke urucanco. Iciza nuko bokwirinda kwandura ico kiza.

Ati mu nteguro y'amafaranga azokoreshwa muri 2018 harategekanijwe ko agashirukabute ku bahinga b'abaganga kugira bahagarike ivyuko baja kurondera akazi mu makungu. Akaba kandi yaciye aronkeraho n'akaryo ko kubeshuza ibimaze iminsi bivugwa ko Leta y'Uburundi itagiha uburenganzira abaja kwiga mu makungu. Yasiguye ko muri kino gihe abaja kurahura ubumenyi hanze baja mu bihugu bica bibarungika mu bihugu vyabo mugihe bahejeje ivyigwa vyabo.

Naho kuvyerekeye abahinga basanzwe bavura mu bitaro vya Leta bakaba kandi bifitiye amavuriro yabo bwite usanga akenshi bakorera muri nya mavuriro yabo, ati Leta iramaze kumenya ico kibazo kandi ko bazokivuganako.

# Inama Nshingamateka yaremeje integuro y'itegekorishiraho Inama nkuru y' igihugu ijejwe ivy'ubumwe n'ukunywanisha abarundi

Amajwi 89 yararyemeje, 1 ntaco yarivuzeko 1 ararihakana; ivyo ni ivyavuye mu matora y'integuro y'ibwirizwa rishiraho Inama Nkuru y'igihugu ijejwe ivy'ubumwe n'ukunywanisha abarundi mu nama isanzwe y'abashingamateka bagize kw'igenekerezo rya 20 mukakaro 2017. Ayo matora y'iryo bwirizwa yabaye abashingamateka bo mu Mizero y'Abarundi basohotse atari ukuvuga ko banse iyo nteguro y'ibwirizwa ariko ko bafise ico bapfa n'umutumire yari yaje uwo munsi, nkuko vyashikirijwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka NYABENDA Pascal. Nkuko yabisiguye ngo abo bashingamateka bo mu runani Mizero y'Abarundi ngo boba batanezerejwe n'inyishu

umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu n'inyigisho zo gukundisha igihugu aheruka gutanga aho yaheruka kuba umutumire mu nama Nshingamateka ari kumwe na bagenzi biwe 3 ; mu bibazo vyunganirwa.

Nkuko Umushikiranganji BARANDAGIYE Pascal yasiguriye ba nyakwubahwa abashingamateka, ngo Inama y'igihugu iraba ivy'ukunywanisha abarundi CNUNR mu mpfunyapfunyo mu rurimi rw'igifaransa, itegekanywa mw'ibwirizwa Nshingiro mu ngingo yaryo ya 268 na 269. Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu n'inyigisho zo gukundisha igihugu umwitwarirriko wo gushiraho CNUNR warewe n'uko mu Burundi hama haraba haboneka indyane zama zisubiriza mu gihugu cacu kuva muri 1961 kuva n'imbere y'igandagurwa ry'incungu ya democratie umwana w'Umwami RWAGASORE Louis. Kubera iki abarundi nabo bavyinjiyemwo ?

Ni nde nkwezi y'amarere muri ivyo vyose ? Ni gute aho kahise kabi kariko karamenyekana ?Ivyo ni bimwe mu bibazo CNUNR ihamagarirwa kwishura.

Umugwi wamaho ujejwe ivy'intwaro, politike n'imigenderanire n'ivy'umuryango wa Afrika y'ubuseruko mu nama Nshingamateka ari nawo wize integuro y'itegeko warabajije ukuntu uwo mugwi uzoronka amahera yo gukora ivyo ujejwe ko mu nteguro y'amafaranga azokoreshwa muri 2017 utarimwo.

Intumwa ya Leta ikaba yarishuye ko kubera uwo mugwi usanzwe uzwi n'amategeko ngo Leta izoca yikora kuri bene arya mahera yongerwa kuyari yategekanijwe bita integakazoza, gutyo CNUNR ikabona gukora.

Abashingamateka rero bakaba baripfuje kumenya itandukaniro riri hagati ya CVR na CNUNR. Intumwa ya leta ikaba yasiguye ko itandukaniro riri hagati ni ritoyi gusa ngo nuko CNUNR izofasha cane umugwi CVR . CNUNR ukaba ari umugwi uzokwamaho nayo ukazoronswa ubuhinga na CVR izomara igihe gito.

Kubasavye ko amarapport yoza artangwa mu mezi atandatu hako atangwa mu mwaka, Umushikiranganji yasavye ko amategeko yokwubahirizwa, ko ama rapport yotangwa rimwe mu mwaka kitabuza ko ayandi yokwama atangwa, gusa iyo mu mwaka ariyo izoza irashikirizwa umukoresha.

Ba nyakwubahwa abashingamateka bakaba baragize amakenga ku kuntu abazoba bagize umugwi wa CNUNR ata mishahara bazokwandikirwa, ko ivyo bishobora kuba intambamyi mu kazi kabo.Umushikiranganji BANDAGIYE Pascal mu kwishura akaba yabanje kubarungika gusoma ingingo ya 15 y'integuro y'ibwirizwa ivuga ngo : « ikiringo c'umukozi muri uwo mugwi est gratuit. Ariko umwe wese azoronswa uturusho uko ukwezi gutashe dutegekanywa n'mategeko abashiraho».

Bati kuki uyo mugwi watevye gushigwaho kandi utegekanijwe mw'ibwirizwa Nshingiro ? Icatangaje kandi gusumba nuko uwo mutumire yaguma ashimikira ku mwaka wa 2015

Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu n'inyigisho zo gukundisha igihugu akaba yavuze ko atawuritera ingata ritararenga. Ati abansi ba democratie baciye babisukamwo amazi ku wa 13 Rusama 2015. Abandi bagata amakosa kuri bose babijejwe.

# Icegera ca mbere c'umukuru w'Inama Nshingamateka yaritavye ibirori vyo kwatira abapatiri muri paruwasi ya Gisozi.

Kuri uyu wa gatandatu igenekerezo rya 15 Mukakaro 2017,ibirori vyo kwatira abapatiri 13, abasomyi 10,abakorezi 11 hamwe n'abadiyakoni 11 bo muri paroisse ya Gisozi vyari vyatewe iteka n'icegera ca kabiri c'umukuru w'inama nshingamateka akaba ariwe yari yaserukiye leta muri ivyo birori. Ivyo birori vyatangujwe n'urugendo rwabihebeye imana barongowe na musenyeri wa diyoseze ya Gitega simoni NTAMWANA.

Mu nsiguro yuwo munsi musenyeri Simoni NTAMWANA yasavye abo bagiye kwatirwa kuzokwerekan ishusho ya yezu muri ekleziya.Musenyeri wa diyoseze ya Gitega yaciye atangura kwatira abasomyi 11 bahabwa bibiriya ko

bagiye kuvuga ubutumwa bwiza, abakorezi bahabwa umukate n'umuvinyu kuko bagiye kubitanga, abadiyakoni n'abasaserdoti nabo babarambikako ibiganza bakambikwa ikimenyetso citwa stola na bibiliya eka n'abasaserdoti barabarambikako ibiganza. Hamwe n'abapatiri bari ngaho bagaheza bakabavugirako igisabisho.Bahejeje baca babagororera ama stola yabo bagaheza bakabambika umwambaro w'abasaseredoti maze bagasigwa amavuta hanyuma bagahabwa n'ububasha bwo gutanga isakaramentu ry'ikigongwe.

Mw'ijambo ryiwe icegera ca mbere c'umukuru w'inama nshingamateka umushingamateka RWASA Agathon yarakeje abo bose bari bahejeje kwatirwa yongera arakeza n'imiryango yabo abandanya amenyesha ko leta ikenguruka ibikorwa ekleziya yagize mu buzima bw'igihugu na cane cane mu nyigisho z'amashure ati ekleziya ifise uruhara ntangere mu buzima bw'igihugu.Yabandanije asaba ekleziya kubandanya ibikorwa vy'iterambere mu kubaka amavuriro amashule n'ibindi... Mu gusozera ijambo ryiwe Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yasavye abakirisu kuba mu rukundo, kuvuga ukuri no kwama bakurikiza ubutungane yarangije ashikiriza musenyeri mukuru akaganuke yari yategekenije.

**J Baptiste Claude NIJIMBERE**


# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**

**Providence NIKIZA**

**ABANDITSI**

**Florine MUKESHIMANA**
**Arlette AKIMANA**
**Pétronie BUCUMI**
**J Baptiste Claude NIJIMBERE**
**Christine NAHIMANA**

**AMASANAMU**

**Richard NDAYISENGA**
**J Baptiste Claude NIJIMBERE**



**Palais des Congrès de Kigobe**
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07